**Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances**

ARCA

# ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'URWEGO « ARCA » RIJANYE N'ITEGEKO RYO KUBUZA ISHIRAHAMWE « SOGEAR » GUTANGA AMASEZERANO YO GUTEGANIRIZA IMPANUKA (ASIRANSI).

Biciye mw'Itegeko N°540/93/001 yo ku wa 08 Ntwarante 2024, Urwego nshingwantwaro rwa ARCA rwategetse ishirahamwe SOGEAR guhagarika gutanga amasezerano yo guteganiriza impanuka (asiransi) y'ubwoko bwose canke kuyongerereza ikiringo gushika hafaswhe izindi ngingo.

Iryo tegeko ryafashwe hisunzwe ingingo za 373, 528 na 530 z'Ibwirizwa rigenga ivyerekeye guteganiriza impanuka kubera ko ishirahamwe SOGEAR ritashoboye gushira mu ngiro indinganizo z'ukwongereza ubutunzi bw'ishirahamwe hisunzwe ibisabwa n'amategeko n'ibiringo vyashinzwe. Ryafashwe kandi bitumwe n'uko ubutunzi bw'ishirahamwe butifashe neza bikaba bibangamira inyungu z'abateganirijwe, abakingiwe n'amasezerano n'abandi baheraniwe.

Nico gituma Urwego « ARCA » rumenyesheje abantu bose ko iryo tegeko ryagiye mu ngiro kuva aho rimenyesherejwe iryo shirahamwe kw'igenekerezo rya 13 Ntwarante 2024.

Abafise ico babaza cerekeye iryo tegeko bokwitura Urwego ARCA aho rusanzwe rukorera hakwirikira : *Mu Nyubakwa y'Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta iri kw'ibarabara ryitiriwe Ubuyapani, ku biro 222, terefone : 22 27 63 46/47.*

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 13/03/2024**

**UMUNYAMABANGA MUKURU W'URWEGO ARCA**

**Hon. Dr. Joseph BUTORE**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
A.R.C.A
Tél : 22 27 63 46
22 27 63 47
Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

REPUBLIQUE DU BURUNDI- BUJUMBURA. 51, Boulevard du Japon. Immeuble du Ministère des Finances, 2ème Etage.
B.P. 7384 Bujumbura. Tél + 257 22276346/ 47. Site Web : www.arca.bi. Email : arca@arca.bi